**REPUBURIKA Y'UBURUNDI**

**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**Ubunyamabanga Bukuru bwa Reta**

# ITANGAZO N°05/2025 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 23 NDAMUKIZA 2025

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 23 Ndamukiza 2025, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji yarongoye kw' igenekerezo rya 21 n'irya 22 Ndamukiza 2025, ivyihwejwe na vyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa muri iyo nama nshikiranganji.

## 1. Integuro y'ibwirizwa risubiramwo igitabu c'amategeko agenga ingo n'imiryango,

Yashikirijwe n'umushikiranganji w'intwaro yo hagati mu gihugu, iterambere rusangi n'umutekano



Igitabu c'amategeko agenga ingo n'imiryango gikurikizwa muri iki gihe cagiyeho mu mwaka wa 1993. Gitegekanya ibijanye no kwandikisha abana bavuka, ubugeni, n'ugufutisha abapfuye.

Muri iki gihe, biragaragara ko muri iri vyo vyokwandikisha harimwo utugorane kuko hari abandikwa habiri, inyandiko ndangamuntu zisubirwamwo iyo zatakaye, hamwe n'ugucura iza magendo. Ikindi na co ni uko bikenewe ko ibiharuro vyerekeye inzandiko ndangamuntu vyandikwa mu buhinga bwa none.

Iyi nteguro irazana bishasha kugira ngo haboneke igitabo c'amategeko agenga ingo n'imiryango kigezweho. Bimwebimwe bishasha twovuga ni nk'ibi bikurikira :

1° gukoresha ubuhinga bwa none mu bijanye n'inzandiko ndangamuntu kugira ngo ntihagire ivyibonekeza habiri no mu ntumbero yo kugabanya ubusuma ;
2° Guha Buramatari ububasha bumwebumwe bwari bufiswe n'umushikiranganji mu ntumbero yo kworohereza abantu ;
3° Kuduza urugero rw'imyaka yo kugira ubugeni ;
4° Guha akaryo abashaka kwubakana kwitorera ingene bazotunganya amatungo yabo;
5° Gushinga igisata kijejwe inzandiko ndangamuntu mu buserukizi bw'Uburundi mu makungu.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yasanze umuryango ari wo muzi wa vyose mu gihugu, ko rero iri bwirizwa rifise uruhara runini mu gihugu. Birakenewe rero ko humvirizwa ivyiyumviro vy'abegwa n'ibibazo vyose biboneka mu miryango kugira ngo hajeho ibwirizwa ritorera

inyishu ivyo bibazo, kandi imigwi yose y' abarundi yahurijeko, hamwe rero no kugerageza kunywanisha imico ya kera n'iyo mu gihe ca none.

Iyi nteguro rero yarungitswe kwunganirwa ikazogarukanwa yahinyanyuwe hafatiwe ku ntererano zizoba zatanzwe muri makoraniro yo guhanahana ivyiyumviro mu migwi itandukanye.

Kubera yuko ibwirizwa rigenga amatungo y'abubakanye n'ingene aganzwa, ugutorana no kuraga amatungo rifatanye cane ubucuti n'iri rigenga ingo n'imiryango, ayo mabwirizwa uko ari abiri azoheza yigirwe rimwe.

## 2. Igitabu ntunganyamigambi mu bushikiranganji bw'ubutungane n'indinganizo y'ishirwa mu ngiro ryayo,

Cashikirijwe n'umushikiranganji w'ubutungane

Ico gitabu ntunganyamigambi cerekana intumbero ngenderwako mu kiringo c'imyaka itanu. Kirerekana amahangiro makurumakuru yo mu gisata c'ubutungane. 

Categuwe nk'inyishu ku bibazo n'ingorane vyibonekeje mu vyigwa vyakozwe vyerekana ingene igisata c'ubutungane cifashe. Ico gitabu ntunganyamigambi n'indinganizo y'ishirwa mu ngiro ryayo vyisunga imbonakazoza y'Uburundi nk'igihugu cifashe mu mwaka wa 2040, giteye imbere mu mwaka wa 2060.

Mw'ishirwa mu ngiro ry'biri muri ico gitabu, indinganizo y'ishirwa mu ngiro ryayo ishira imbere ibikorwa bizofasha gutorera umuti ivyo bibazo ikerekana kandi uburyo bisaba.

Iyo ndinganizo y'ishirwa mu ngiro y'ico gitabu irerekana ibizokorwa mu kwungura ubushobozi bw'inzego zo mu butungune, kurwanya ibiturire, gutorera inyishu amatati afatiye ku mibano, no gukoresha neza, ku mugaragaro uburyo bwa Reta. Irerekana kandi n'ivyisungwa mu gusuzuma no gukurikirana ivyashitsweko.

Kugira ngo ico gitabu ntunganyamigambi gishirwe mu ngiro, ubushikiranganji bwihaye ihangiro ryo mu mwaka wa 2027 ry'uko hazoba hari ubutungane bwigenga, bwitwararika ivyo abenegihugu bakeneye n'iterambere rirama.

Inama nshikiranganji imaze kwihweza ico gitabu, yasanze ahanini cerekana ingene ibisanzwe bihari vyoshirwa mu ngiro.

Yaciye isaba ko ico gitabu cosubirwamwo kikaba koko igitabu ntunganyamigambi cerekana neza ibibazo bihanze abenegihugu mu bijanye n'ubutungane, ingingo ngenderwako zokwisungwa mu kubitorera umuti, hamwe rero n'ibikorwa nyezina vyoca birangurwa vyoza nk'inyishu y'ivyo bibazo.

B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi

3. **Integuro y'itegeko ry'Umushikiranganji wa Mbere rishiraho umugwi w'abahinga ujejewe gukurikirana ishirwa mu ngiro ry'indinganizo y'igihugu yerekeye gufashanya kw'Uburundi n'amakungu mw'iterambere,**
   Yashikirijwe n'umushikiranganji w'imigenderanire no gufashanya mw'iterambere

Uwo mugwi w'abahinga ni igisata kijejwe gukurikirana ku munsi ku munsi ibikorwa vyerekeye ishirwa mu ngiro y'indinganizo y'igihugu y'ugufashanya kw'Uburundi n'amakungu mw'iterambere.

Uratororokanya ivyegeranyo vy'imigwi mitomito y'abahinga, ukavyihweza ukabishira hamwe ugaca uburungikira umugwi mpuzabisata ujejwe gukurikirana iyo ndinganizo kugira ngo uvyemeze.

Uwo mugwi urerekana kandi ivyahindutse bikurubikuru mu vyerekeye uburyo buhari, intambamyi zibokeza, n'ibindi bibazo bifatiye kuri ukwo gufashanya.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro yarayemeje ica isaba ko mu bushikiranganji bwose hoshirwaho umugwi ujejwe gukurikirana ishirwa mu ngiro ry'iyo ndinganizo mu bushikiranganji.



Bigiriwe i Gitega, 24 Ndamukiza 2025

**Umunyamabanga mukuru wa Reta**
**Jérôme NIYONZIMA. -**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
CABINET DU SECRETAIRE GENERAL DE L'ETAT
PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE

B.P. 2800 BUJUMBURA ; Téléphone : 22 21 27 47 ; Télécopie : 22 213545 ; E-mail : sge@burundi.gov.bi